**IJAMBO PAPA ASHIKIRIJE ABAKRISTU BO KW'ISI YOSE, KU MUSI MPUZAMAKUNGU UGIRA 99 WAHARIWE UBUTUMWA BWO GUKWIZA HOSE INKURU NZIZA YA YEZU KRISTU**

***19 Gitugutu 2025***

**« *Abamisiyonari b'ukwizigira mu bantu* »**

Bavukanyi nkunda,

Ku musi Mpuzamakungu w'ukumenyesha Inkuru Nziza w'uwu mwaka wa Yubile y'imyaka 2025, aho iciyumviro nyamukuru ari ukwizigira[1], nahisemwo iki civugo « *Abamisiyonari b'ukwizigira mu bantu* ». Ico civugo kiributsa umukristu wese na Ekleziya, umuryango w'ababatijwe, umuhamagaro shingiro wo kuba abatumwa n'abubatsi b'ukwizigira, mu gukurikira Kristu. Ndabifurije igihe c'inema mu Mana Mudahemuka yasubiriye kutuvyara muri Kristu yazutse « *Ku bw'ukwizera gukomeye* » (*Raba 1 Petero 1, 3-4*). Ndipfuza kwibutsa ibintu bimwe bimwe bihambaye biranga umumisiyonari w'umukristu kugira ngo twemere kuyoborwa na Mutima w'Imana twongere turangwe n'akariro mu butumwa k'igihe gishasha co kumenyesha Inkuru Nziza y'Ekleziya, irungitswe gukabura ukwizigira mw'isi itwikiriwe n'ibitutu vy'umwijima.[2]

## 1. Mu makanda ya Kristu, Mizero yacu

Mu guhimbaza Yubile ya mbere isanzwe y'ikimpumbi ca gatatu, inyuma y'iy'umwaka w'2000, dukomeza guhanga amaso Kristu ari mu buzima bwacu kuko « *uko yari ari ejo ni ko akiri n'ubu, kandi ni ko azokwama ari no mu myaka yose*» (*Abahebereyi 13, 8*). Mw'isinagoga y'i Nazareti yaramenyesheje iranguka ry'ivyanditswe kuri We. Yihishuye nk'uwarungitswe na Data kandi yasizwe na Mutima Mweranda kugira ashikirize Inkuru Nziza y'Ubwami bw'Imana n'«*ukumenyesha umwaka w'ubuntu bw'Umukama*» ku bantu bose (*raba Luka 4,16-21*).

Muri iyi minsi y'agatangaza kandi iguma iranguka gushika ku muhero w'isi, Kristu ni We rukiza ku bantu bose, cane cane abo bose ukwizigira kwuzuye bafise ari Imana. Mu buzima bwiwe bwo kw'isi, yagenda « agira ineza aho aciye, akiza abantu bose ikibi na Sekibi » (*raba Ibikorwa vy'Abatumwa 10, 38*), asubiza umwizero w'abantu mu Mana cane cane abawukeneye gusumba abandi. Bisubiye kandi, yarageragejwe muri vyose, uretse igicumuro, ndetse mbere araca mu bihe bigoye vyashobora kumushikana ku mwiheburo nko mu maganya y'i Getsemani no ku musalaba. Ariko Yezu yahereje vyose Imana Data, aragamburuka n'ukwizigira kwose, mu mugambi wiwe w'urukiza rw'abantu, umugambi w'amahoro wa kazoza kuzuye ukwizigira (*raba Yeremiya 29, 11*). Ni uko rero, yahindutse Umumisiyonari w'Imana w'ukwizigira, akarorero gahebuje k'abantu mu bihe bitandukanye bagiye barashira imbere ubutumwa bahawe n'Imana, mbere no mu mageragezwa akomeye cane.

[1] Bulle *Spes non confundit* n. 1

[2] cf. Lett. enc. *Fratelli tutti*, nn. 9-55).

Abicishije ku bigishwa biwe barungitswe mu bantu bose kandi baherekejwe na We mu buryo bwagatangaza, Umukama Yezu abandanya igikorwa c'ubutumwa bwiwe bw'ukwizigira mu bantu. Ariyegereza kandi umuntu wese akenye, ababaye, yihebuye kandi yafutanijwe n'ikibi kugira asuke «ku bikomere vyiwe amavuta y'uruhoza n'umuvinyu w'ukwizigira».[3]

Mu kugamburukira Umukama akaba n'Umwigisha mu kwitanga, Ekleziya, umuryango w'abigishwa-batumwa ba Kristu, ibandanya ubwo butumwa, itanga ubuzima bwiwe ku bantu bose.

Mu mwitwarariko wo guhangana ku ruhande rumwe, n'ugutotezwa, n'amageragezwa, n'ingorane, no ku rundi ruhande n'utunenge twabo bwite, no kugwa kubera intege nke z'umw'umwe mu bana bayo, Ekleziya iguma ikomezwa n'urukundo rwa Kristu mu gutera imbere mu bunywanyi ifitaniye na We muri iyo nzira y'ubumisiyonari no kwitwararika nka We, kumwe na We, akamo k'abantu n'amaborogo y'ikiremwa cose mu kurindira gushikira ubuzima bwuzuye. Iyo ni yo Ekleziya Umukama ahamagara igihe cose no mu bihe vyose guca mu makanda yiwe: « Atari Ekleziya iguma hahandi mugabo ari Ekleziya imenyesha Inkuru Nziza, ikagumana n'Umukama mu mayira y'isi».[4]

Dutegere rero natwe ko dukaburiwe gufata inzira, duca mu makanda y'Umukama Yezu Kristu kugira tubere bose, kumwe na We, no muri We, ibimenyetso n'intumwa z'ukwizigira, hose no mu bihe vyose Umukama aduhaye kubamwo. Ese ababatijwe bose, abigishwa-batumwa ba Kristu, boshikana umuco w'ukwizigira kwiwe mu mpande zose z'isi!

## 2. Abakristu, bashikiriza kandi bubaka ukwizigira mu bantu

Mu gukurikira Kristu Umukama, abakristu bahamagariwe gushikiriza Inkuru Nziza mu gusangira ubuzima n'abo bahura no kuba gurtyo abashikiriza n'abubatsi b'ukwizigira. Kukaba nkako «akanyamuneza n'umwizero, umubabaro n'amaganya vy'abantu b'iki gihe, cane cane abakene n'abababaye bose, navyo nyene ni akanyamuneza n'umwizero, amaganya n'umubabaro vy'abigishwa ba Kristu, kandi nta kintu na kimwe vy'ukuri cerekeye umuntu kidafise ico gikabura mu mitima yabo».[5] Iyo ngingo ihambaye y'Inama yabereye i Vatikano ubugira kabiri, igaragaza ingene imibano rukristu ibaho igihe abari muri yo boba abasangirarugendo n'abavukanyi babo kw'isi yose.

Nkubitiza agatima ku buryo budasanzwe kuri mwebwe bamisiyonari bo mu bindi bihugu, mu gukurikira umuhamagaro w'Imana, mwagiye mu bindi bihugu kumenyesha urukundo rw'Imana muri Kristu. Ndabashimiye n'umutima wanje wose! Ubuzima bwanyu ni inyishu irangutse mu butumwa bwa Kristu yazutse, yarungitse abatumwa kugenda kugira abigishwa abantu bo mu makungu yose (*raba Matayo 28, 18-20*). Gurtyo, muributsa umuhamagaro w'ababatijwe bose wo kuba mu bihugu, ku bw'ubukomezi bwa Mutima Mweranda no kubw'ukwitanga kwanyu kwa misi yose, abamisiyonari b'ukwizigira gukomeye duhabwa n'Umukama Yezu.

---

[3] *Préface "Jésus le bon Samaritain*

[4] *Homélie de la Messe de clôture de l'Assemblée générale ordinaire du Synode des évêques*, 27 octobre 2024

[5] *Gaudium et spes*, n. 1

Iyo uwo mwizero udushikana hararengeye na kure aho ivyo iyi si ihera idushikana kubona, ukadushikana kandi ukatwugururira ivyiza vy'Imana duhwihwisha muri iki gihe. Nka ko, nk'uko umweranda Paulo wa gatandatu yavyibukije, urukiza muri Kristu, Ekleziya ishikiriza abantu bose nk'ingabirano y'ikigongwe c'Imana, ntirugarukira gusa « ku vy'umubiri canke umutima ukenera [...] bigaragarira rwose mu vyipfuzo, mu vyo abantu biteze,...... mu kurwanira ivy'isi kwa none, ariko urukiza rurabirengeye na kure kuko rurangukira mu Mana yo nsa Yamaho : urukiza rurengeye twizigiye, rufise intango muri ubu buzima, ariko ruzoranguka bimwe bishemeye mu buzima budahera. »[6].

Imibano rukristu, iremeshejwe n'ukwizigira gukomeye cane, irashobora kuba ibimenyetso bishasha vy'ubuntu mw'isi ya none, aho mu bice «vyateye imbere», yerekana ibimenyetso bikomeye vy'ingene ubuntu bugeramiwe: ivyiyumviro bikomeye bihagarika umutima, ukwigunga no guheba abageze mu zabukuru, ingorane zo kuronka abotabara ababanyi. Mu bihugu biteye imbere mu buhinga, ukwitwararikana kuriko kurazimangana: twese turashobora guhanahana amakuru ariko tutababaranye. Ubushobozi n'inambu y'ivy'isi bituma twigungirako tukibagira abandi. Igihe twakiriye Inkuru Nziza, tukayigendera mu mubano, iradusubiza ubuntu, tukaronka ubuzima bwuzuye bw'abacunguwe.

Nsubiriye kubatumirira kurangura ibikorwa dusanga mw'ikete rimenyesha iyi Yubile (*raba ku nomero 7-15*), mu kwitwararika ku buryo budasanzwe: abakene na ba nta ntege, abarwaye, abageze mu zabukuru, abakumiriwe n'iyi si ishira imbere amaronko no kwinezereza birenze urugero. Maze ivyo tukabirangura twigana Imana: mu kubaba hafi, mu kubagirira impuhwe n'igishika, mu gutunganya neza imigenderanire dufitaniye n'abavukanyi mu vyo babayemwo [7]. Birashika kenshi ko nabo nyene batwigisha kubaho mu kwizigira. Nkako tubiyegereje bitubera akaryo keza ko kubashikiriza urukundo n'impuhwe vy'Umukama. Tuzoboneraho gutahura ko «Umushaha wa Kristu [...] ari Wo mushinge muzima wo kumenyesha Inkuru Nziza»[8]. Duciye bugufi, tukavoma kuri iryo soko, turashobora rero gutanga ukwizigira twaronse kuva ku Mana (*raba 1 Petero 1, 21*) , mu gushikiriza abandi uruhoza dukura ku Mana (*raba 2 Abanyakorenti 1, 3-4*). Mu Mushaha w'ubuntu n'ubumana wa Yezu, Imana iyagira umuntu wese mu mutima, mu kumukwegakwegera mu rukundo rwayo. «Twarungitswe kubandanya ubwo butumwa : mu kuba ikimenyetso c'Umushaha wa Kristu n'ic'urukundo rwa Data, mu kwitwararika isi yose».[9]

## 3. Gukabura ubutumwa bw'ukwizigira

Kubera ko ubutumwa bwo gukabura ukwizigira bwihutirwa muri iki gihe, abigishwa ba Kristu nibo ubwa mbere bahamagariwe kwinagura kugira ngo babe "abaremesha" ukwizigira no gusubiza itoto ubuntu mu bantu b'ubu basamazwa kandi baruhishijwe na vyinshi. Kubw'iyo mvo, dutegerezwa gukabura muri twebwe, akarangamutima k'amabanga ya Pasika, igihe cose duhereza Inkuka y'Ukaristiya na cane cane muri ya misi itatu irongora Pasika, yo ntimatima n'isonga vya liturujiya. Twabatijwe mu rupfu n'izuka

[6] Exhort. ap. *Evangelii nuntiandi*, n. 27
[7] cf. Exhort. ap. *Evangelii gaudium*, nn. 127-128
[8] Lett. enc. *Dilexit nos*, n. 32
[9] *Discours aux participants à l'Assemblée générale des Œuvres Pontificales Missionnaires*, 3 juin 2023

vya Kristu biduha urukiza, muri pasika y'Umukama itwugururira ibihe bishasha bizokwamaho.

Turi rero abantu b'ibihe bishasha barangwa igihe cose no gusangira umwizero uva kuri Kristu, kuko muri Kristu «Turemera kandi turazi ko urupfu n'urwanko bidafise ijambo rya nyuma» mu buzima bw'abantu[10].

Ni co gituma, dufatiye ku mabanga ya Pasika abandanya arangukira muri liturujiya no mu masakramentu twama duhimbaza, tubandanya tuvoma ubukomezi bwa Mutima Mweranda turajwe ishinga no kumenyesha Inkuru Nziza kw'isi yose. « Kristu yazutse kandi aninahaye ni we soko rizima ry'umwizero wacu, kandi ntazodutererana ubutumwa adushinga ».[11] Muri We, turabaho kandi tugashingira intahe uwo mwizero mweranda ari wo « ngabirano n'ubutumwa ku mukristu wese».[12]

Abamisiyonari b'ukwizigira ni abagabo n'abagore basenga kubera ko « umuntu yizigira ni umuntu asenga», nkuko yavyerekanye Nyenicubahiro Kardinali Van Thuan, we yagumanye ukwizigira mu gihe kirekire c'amakuba yo mu mvuto kubera inguvu yakura mu gisabisho ciwe gihozako no muri Ukaristiya[13]. Ntitwibagire ko gusenga ari igikorwa ca mbere co kumenyesha Inkuru Nziza kikaba kandi «ubukomezi bwa mbere bw'ukwizigira».[14]

Tunagure rero ubutumwa bw'ukwizigira duhereye ku gisabisho, cane cane gishingiye kw'Ijambo ry'Imana ku buryo bwiharije amazaburi ari wo mudiho ukomeye w'igisabisho aho uwuwuhingura ari Mutima Mweranda[15].

Amazaburi aratwigisha kwizigira mu ngorane, gutohoza ibimenyetso vy'ukwizigira no kwamana icipfuzo co «kumenyesha Inkuru Nziza » aho Imana ininahazwa n'abantu bose (*raba zaburi 41, 12; 67, 4*). Mu gusenga, tugumana itara ryaka ry'ukwizigira, ryadometswe n'Imana muri twebwe, kugira ribe urubeya runini rumurikira kandi rusususurutsa impande zose, harimwo n'ibikorwa n'ibimenyetso biranguka bikabuwe n'igisabisho.

Mu gusozera, ukumenyesha Inkuru Nziza ni urugendo rusangi rw'ibihe vyose nk'uko ari ko karanga k'ukwizigira rukristu[16]. Urwo rugendo ntirurangirana n'inyigisho za mbere z'ukwemera canke n'ibatisimu, ariko rurabandanya n'ukwubaka imibano rukristu biciye mw'iherekezwa ry'uwabatijwe wese ku nzira yo kumenyesha Inkuru Nziza. Mw'isi ya none, kuba muri Ekleziya si ikintu twakira rimwe gusa. Igikorwa c'ukumenyesha Inkuru Nziza, co gutanga no kwigisha ukwemera gushitse muri Kristu ni « ishimikiro ry'igikorwa cose c'Ekleziya»[17], igikorwa gisaba isangiramutima ry'igisabisho n'ibikorwa. Nongeye gushimikira kuri uwo mutima nsangirangendo w'Ekleziya wo kumenyesha Inkuru Nziza,

---

[10] *Catéchèse*, 23 août 2017
[11] Exhort. ap. *Evangelii gaudium*, n. 275
[12] *La speranza è una luce nella notte*, Città del Vaticano 2024, p. 7
[13] cf. F.X. Nguyen Van Thuan, *Le chemin de l'espérance*, Rome 2001, n. 963
[14] *Catéchèse*, 20 mai 2020
[15] cf. *Catéchèse*, 19 juin 2024
[16] cf. Benoît XVI, Lett. enc. *Spe Salvi*, n. 14
[17] Exhort. ap. *Evangelii gaudium*, n.15

no ku butumwa bw'Ibikorwa vya Papa vyo kumenyesha Inkuru Nziza mu guteza imbere ukwiyemeza kumenyesha Inkuru Nziza kw'ababatijwe n'ugushigikira ama-Ekleziya mashasha.

Ndabasavye mwese, abana, urwaruka, abakuze, abageze mu zabukuru, kwitabira biboneka mu butumwa bwo kumenyesha Inkuru Nziza rusangi biciye mu gushinga intahe kw'ubuzima bwanyu no mu gisabisho, mu kwitanga kwanyu no mu gusabikanya kwanyu. Ndabakengurukiye cane kuri ivyo vyose!

Bavukanyi nkunda, twerekeze amaso kuri Mariya, Nyina wa Yezu Kristu We kwizigira kwacu. Tumuragize iki cipfuzo c'iyi Yubile no mu myaka izokurikira: « Ese umuco w'ukwizigira rukristu woshikira umuntu wese nk'ubutumwa bw'urukundo rw'Imana bwashikirijwe bose ! Ese Ekleziya yokwāma ari icabona kimenyesha iyo Nkuru Nziza mu mpande zose z'isi!»[18].

*Bigiriwe i Roma, ku cicaro citiriwe Yohani Mweranda*
*w'i Laterano, igenekerezo rya 25 Nzero2025*
*Ku musi mukuru w'ihinduka rya Paulo Mweranda umutumwa*

**Papa Fransisko**

---

*Vyahinduwe mu Kirundi n'Ibiro Ndemeshabutumwa bw'Ibikorwa vya Papa vyo kumenyesha*
*Inkuru Nziza ya Yezu Kristu mu Burundi.*
*(Œuvres Pontificales missionnaires /Burundi)*

[18] Bulle *Spes non confundit*, n. 6